Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Umukuru w'urusengero aza kuri Yesu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Umusi umwe igihe Yesu yari agiye mu rusengero, ahasanga abantu batubashe ingoro y'Imana. Bagurishiriza ibitungwa vyabo kandi bavungishiriza amafaranga imbere mu rusengero.

Akora mumigozi ico akubitisha abantu,ahindira hanze abariko badandariza mu rusengero. “Kureho ivyo vyose,” Yesu arabategeka. “Inzu ya Data ntimuyihindure akaguriro.” Yesu yarakunda inzu ya Se.



Abakuru basaba
ko bobereka
ikimenyetso
cerekana ko Yesu
yari afise ububasha
bwo gutunganya
ingoro y'Imana.
Yesu arabishura ati:
"Sambure urwo rusengero,
nzorwubaka mumisi
itatu." Ntibishoboka!
Vyadutwaye imyaka
mirongo ine n'itandatu
kugira turwubake.

Yesu yavuga umubiri wiwe.
Nk'uko bimeze ku ngoro,
umubiri wiwe wari inzu
Imana ibamwo. Naho
Yesu yari agiye kuzopfa
k'umusaraba, yari azi ko
Imana izomusubiza
ubuzima k'umusi ugira
gatatu.

Ijoro rimwe,
umwe mubakuru
b'abisirayeli
aza kuri Yesu.
Kubera ibitangaza,
yarizera ko Yesu
yatumwe n'Imana.
Nikodemu yaje kuri
Yesu kugira ngo
ashobore kumenya
vyishi ku Mana.

Yesu abarira Nikodemu ko abantu bategerezwa kuvuka ubwa kabiri kugira ngo bashobore kwinjira mubwami bw'Imana. Nikodemu ntiyabitahura. Ni gute umuntu akuze yoshobora gusubira munda kugira ngo asubire kuvuka? Kandi, yari umunyedini. Mbega ivyo ntivyari bikwiye?

“Ikivyawe n’impwemu cose ni impwemu,” Yesu aramusigurira. “Mpwemu w’Imana ni nk’umuyaga. Abantu ntibawubona canke ngo bawutahure. Babona gusa ivyo umuyaga ukora.”

Yesu yibutsa Nikodemu ingene abana ba Isirayeli bidogeye Mose hari haheze igihe kirekire cane. "Ntavyokurya canke amazi dufise kandi turambwiwe n'uwo mutsima Imana yaduhaye," niko barira bavuga.

Ibicumuro vy'abantu bishavuza Imana. Ibarungikamwo inzoka z'ubumara bukaze cane. Izo nzoka zikomora abantu kandi beshi muri bo barapfa.

"Twaracumuye. Dusabire Umwami Imana adukuremwo izo nzoka," binginga Mose. Maze Mose arabasengera. Ariko Imana ntiyabakuramwo izo nzoka.

Imana ibarira Mose gucura inzoka mucuma no kuyimanika kugiti. "Abakomowe n'izo nzoka bose, nibaraba iyo nzoka imanitswe kugiti, bazokira," niko Imana yabasezeraniye. Mose acura inzoka m'ubutare bw'umujumbu kandi abayiraba bose barakira.

Yesu abarira
Nikodemu ko umwana
w'umuntu akwiye
kuzomanikwa hejuru nk'uko
iyo nzoka yamanitswe.
Yesu yavuga umusaraba
uwo akwiye
kuzobambwako
apfira
abanyavyaha.

Yesu aravuga ati:
“Kuk’urukundo Imana yakunze
abari mw’isi rwatumye itanga
umwana wayo w’ikinege
kugira ngo uwuzomwizera
wese ntazopfe rubi
ariko ahabwe
ubugingo
budashira”.

Ibi bisigura ko umuntu wese yizeye Yesu aba avutse m'umuryango w'Imana.

Nikodemu birashoboka ko ataciye aba umwigishwa wa Yesu iryo joro nyene, ariko mumyaka yakurikiye, yarerekanye ko yakundaYesu kandi ko yamwizera mugufasha guhamba umwana w'Imana yabambwe.

Inyuma y'urwo rugendo, Yesu n'abigishwa biwe bafata inzira baja mu buraruko. N'abandi bantu bari bakeneye kumva havugwa ivy'ubwami bw'Imana, no kuronka amahirwe yo kwizera Yesu umunyanazareti, Umwana w'Imana.

Umukuru w'urusengero aza kuri Yesu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya tuyisanga muri

Yohana 2-3, Guharura 21

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16